UMUCO W'ISI

Imisi isozera iyinga yamasengesho [1-2 Ruheshi] 2024

Iciyumviro gishimikiye kuri Bibiliya yera

Ishirahamwe mpuzamakungu Viva ritegekanya igihe c amasengesho mpuzamakungu yo gusengera abana cane cane kugirango abana bo mwisi yose basengeranire
Ayo masengesho mpuzamakungu yo gusengera abana yama afise urufatiro mw ijambo ry Imana riri muri Bibiliya yera.Muruyu mwaka wa 2024 amasengesho yo gusengera abana afatiye ku murongo wanditswe muri Yohana 9: 5 ,aho Yesu avuga ati "***Nkiri mwisi' nd' umuco w isi".*** Murico gice cose dusoma inkuru y ingene Yesu yahumuye uwavutse ar' impumyi.

Amamuko y ishirahamwe mpuzamakungu Viva

Amasengesho yo muri weekend Kamboje 2023

Umushingantahe Patrick McDonald, yashinze ishirahamwe Viva yakora mukigo gifasha abana bo mwibarabara muri Amerika y'Epfo.Umusi umwe Patrick yagize inzozi abona ishusho yisi yose mwijoro, izunguruka cane mu kirere kandi hari "umwijima". Hanyuma, abona hadutse urumuri ruto rw'umuco . n izindi nyinshi ,ziguma zaka ziyongera uko hahera akanya,gushika aho ziyubaka nk umutara w umuco mu kirere.Ico kirere gica kizamwo umuco mwinshi.Imbere yiyo ndoto,Patrick yahora asenga Imana ayibaza ati

N UYUHE MUGAMBI UFITIYE ABA BANA GA MANA?Uzofasha gute aba bana kugira baronke ibibatunga?Indoto ya Patrick yari inyishu y Imana,imwereka uburyo igikorwa co gufasha abana catanguwe ari gitoya n umuntu umwe yizera Imana , gihava kigakorwa n amashengero menshi akwiye kwisi yose ,yabonye abantu bizera Imana bakorera hamwe kugira bagire urunani rwo gufasha abana batagira ikibafasha.Urwo runani nirwo Patrick yagereranije na wa mutara w umuco yabona mu ndoto yiwe

Umisi isozera iyinga yahariwe gusengera abana 2024

Urufatiro rw inyigisho

Inyigisho zuyu mwaka wa 2024 zifatiye ku nkuru dusoma muri Yohana 9 Kuri ordinateri umuntu ashobora kuraba ibimenyeshwa kuri website www.worldweekendprayer .

Inyigisho zitunganijwe mu bice bine:

1Amerika y'Epfo 2024

i) **Igikorwa c Imana** Ico gice kigenewe cane cane abana bageze mu mashure y intango

ii) **N iki gituma ukekeranya**? Ico gice c ivyigwa categuriwe abana begereje imyaka y ubuyabaga

iii) **Yesu n'inde**? N igice c 'icigwa categuriwe abana b imiyabaga

iv) **Ukwizera n** 'iki N igice categuriwe urwaruka n abariko barakura

Murizo nyigisho,abana biga bakina.Bashobora kwandika amasengesho yabo ku mashami y igiti bashushanije,bashobora kuyandika ku bipurizo,canke bakandika ku nkaratasi,bashobora no gukoresha amasanamu ya video.

Ivyo gusengera

1. Amahoro n urukundo mu miryango
2. Ibifungurwa ,amazi meza,ivyambarwa n imiti mu gihe turwaye
3. Amahoro n umutekano aho tubaye
4. Kuja mu mashule no kuronka abigisha barezi beza
5. Gukingirawa no kurindwa guhendwa n abaswaganyi
6. Kuronka abavyeyi n abarezi bitaho ibibazo vy abana
7. Amashengero menshi akore kugirango abana bagire ubuzima bwiza

1: Igice ca mbere Ibikorwa v Imana

jambo ry urufatirogifatiro Yohana 9:1-12

Ingene vyagenze: Dusoma ko umusi umwe Yesu yariko arahita ari kumwe n abigishwa biwe,agaca abona umuntu yavutse ahumye

Yohana 9:1-12 Yesu akiza uwavutse ari impumyi

Ariko arahita abona umuntu yavutse ari impumyi. Abigishwa baramubaza bati "Mwigisha, ni nde yakoze icaha, ni uyu canke ni ababyeyi biwe ko yavutse ari impumyi?"Yesu yababwiye ko babajije ikibazo kitarico.Ababwira ko ahubwo vyabaye kugirango ibikorwa ivy Imana bibonekere kuri we

Yesu arongera aravuga ati Nkiri mw isi ndi umuco w'isi." Amaze kuvuga artyo acira amacandwe hasi, ayatobesha akondo akamusiga ku maso, aramubwira ati "Genda wiyuhagire mu kidengeri cy'i Silowamu", (hasobanurwa ngo "Yaratumwe"). Nuko aragenda ariyuhagira, agaruka abona,cari igitangaza.

Igikorwa

i) Bumba igishushanyo c umuntu cerekana Yesu mu gihe yahura n umugabo ahumye.Shira itara canke ikiyo ku mutwe wiwe ryerekana ko Yesu ar umuco w isi.Bumba n igishushanyo c umuntu cerekana wa mugabo yari impumyi.ii) Gukora utabona. Gerageza gucapa umuntu ari impande y inzu uhumirije,raba ingene bigoye.

Umurongo wo kwibuka

Yohani 9:5 : Nkiri mwisi ndi umuco w isis."

Ibikorwa

Rongora kiganiro wishimikije ibibazo bikurikira kugira musengere kubona ibikorwa vy Imana

i) Iyo hari ibigoye vyashitse,Imana iseruka gute kugira ibintu bihinduke?Uruhara rwacu n uruhe?

ii) Hari ihinduka umaze kubona mu muryango wawe ,mu muryango w umugenzi ,kw ishule iwanyucanke mu kibano? Dusengere ibindi bitangaza nkivyo wabonye.

iii) Ntivyari vyoroshe ko irya mpumyi yemera ivyo Yesu amubwiye,yari gushobora kwiyoza mu ruzi ruri hafi yaho bahuriye na Yesu,Tweho mbega ukwizera kwacu kumeze gute?Ihinduka dusengera rishobora guteba? Kumbure harico dukwiye gukora natwe?

Intahe ya Anjali umwigeme aba mu gihugu c Ubuhindi

Mu mwaka wa 2023,inyigisho zerekeye amasengesho y abana zarabafashije kumenya neza uruhara rwabo mu vyerekeye gukingira ibidukikije , ibiremwa vyiza Imana yaduhaye. Akarorero uwitwa Anjali, ubu yarize kuzimya amatara n'ivyuma bidakenewe , akugara amazi agafunga amacupa, akabadika ibiterwa,agasukura aho abaye Ubu yarahindutse arazi gukingira ibidukikije. akaba ari umwungere w'ibiremwa vy 'Imana, kandi yama ahimiriza bene wabo na bagenzi biwe kwifatanya na we murico gikorwa ciza.

2: Ibitangaro vy'Imana

Inkuru tubonamuri
Yohani 9:13-23

Ahejeje kubwira ababanyi biwe ko Yesu ari we yamukijije, baciye bamujana Bafarizayo Uwo mugabo w'impumyi yarasiguye ivyabaye. Bamwe muri abo bategetsi bavuze ko ku musi w'isabato bitari bikwiye ko Yesu akora igikorwa co kuvura impumyi,abanje kuvanga udushanga n amate. Ku musi w'isabato nta gikorwa na kimwe cari cemewe; abo bategetsi bati uwo muntu Yesu yakoze ivyo ntashobora kuba ava ku Mana kuko ari umunyavyaha. Abafarizayo bagize amakenga menshi maze batumako abavyeyi b'uwo mugabo kugira bemeze ko ari umwana wabo kandi ko yavutse ari impumyi. Abavyeyi biwe baciye bagira ubwoba, bibaza nabo nyene ingene umuhungu wabo yoba asigaye abona.Bavuga bati: *"Arakuze, nimumwibarize."*

Igikorwa

ii) Abana baravuga inkuru bahejeje gusomerwa mu majambo yabo .umwigisha yobasubizamwo ubugira kabiri. Reka abana bavuge inkuru mu majambo yabo bwite.bafatiye ku bice bitandukanye vyiyo nkuru.

iii) Bwira abana bacape ikarata y igisagara babayemwo,berekane ahari amashengero n ahari amashule, bashire agatara gatukura aho hose hari ishengero n ishule bakoreramwo igikorwa c abana ,baheze batse utwo dutara twose kugirango berekane rwa runani rw umuco n 'umunezero wo gushimira Imana yaremye abana.

Umurongo wo kwibuka

Yohani 9:15b : Nya mugabo arabishura ati: "Yanshize utwondo ku maso yanje, nanje ndahoza, none ubu ndabona."

Ibikorwa

Nimuganire kuri ivyo bibazo kugira ngo mumenye ingene Imana ikora ibitangaro vyayo.

iv) Bisobanura iki gukekeranya igihe dusavye umuntu ngo adukorere ikintu?

v) Igitangaro ni iki?

vi) Ni hehe dukeneye igitangaro ubu? (mu muryango,kw ishure,mu kibano)

Intahe z'abana bo muri Zambiya:
"Narize yuko Imana yaremye isi n'ibirimwo vyose, igaha abantu ibanga ryo gukunda no kwitwararika ibikoko."

"Nimusengereraire kandi mwizigire Imana. Urashobora gushira ikintu cose mu maboko y'Imana; naho woba uri mu ngorane, Imana irashobora kugufasha kandi ikakuyobora."

"Dutegerezwa kwitwararika ivyaremwe vy'Imana. Abana bose barakeneye kuja kw'ishure no kwigishwa."

3: Yezu, Umwana w'Imana

Inkuru ya Yohani 9:24-34

Bahejeje kubaza abavyeyi b'uwo mugabo, Abafarizayo basubira guhamagara uwo mugabo w'impumyi bati: *"Nimuninahaze Imana mu kuvuga ukuri. Turazi ko uwo muntu ari umucumuzi."*Na we ati: *"Nimba ari umunyavyaha canke atari umunyavyaha, sinzi.Ikintu kimwe nzi. Nari impumyi, ariko ubu ndabona!"*Abafarizayo basubira kumubaza ingene yakize. Uwo mugabo y[baza igituma basubiye kumubaza aca arababaza ati: *"Mbega namwe murashaka kuba abigishwa biwe?"* Abafarizayo baramutuka. Iyo mpumyi imaze gushingira intahe Yesu, *Abafarizayo baciye bamwirukana mw'isinagogi, bamubwira bati: "Waremanywe n'igicumuro igihe wavuka, none wotwigisha gute?"*

Ibikorwa

i) **Ni nde yabivuze?** Niwegeranye abana mugire umuzingi, hanyuma ubafuke mu maso. Hitamwo umwana umwe aje hagati maze umubwire uti: *"Genda, wiyuhagire mu kidengeri ca Silowamu."* Uwo mwana aca asubira mu muzingi. Abo bana barakura icari kibafuse ku maso maze bagerageze gutora uwarafise ikibanza ca Yesu, bageze kumumenya bafatiye kw'ijwi bumvise.

ii) **Utwondo -**Nyegeza shokola mu gikombe gitoya, hagire umwana umwe ayigaburira uwundi nikiyiko. Ntibayishire mu maso yabo, ahubwo bayishire mu kanwa kabo.

Igisomwa co gufata kumu

Yohani 9:32-33: " Nta muntu arigera yumva ko hari uwuhumura amaso y'umuntu yavutse ari impumyi." Iyo uwo muntu ataba yavuye ku Mana, ntaco yari gushobora gukora."

Ibikorwa

Nimuganire kuri ivyo bibazo bibarongorera gusenga maze muvuge ibijanye no kwumviriza Yesu Umwana w'Imana.

i) Ni kubera iki abana bamwe bamwe bazi ko Yesu ari Umwana w'Imana, abandi nabo ntibabimenye?

ii) Ni ibindi bintu ibihe bihambaye ukwiye kumenya ku vyerekeye Yesu?

iii) Nimba isengesho ari kuvugana na Yesu, twomwumviriza gute? Woba ushobora kwumviriza Yesu ubu?

Intahe ya Asnath, ava muri Tanzaniya:
Asnath afise imyaka 15, akaba abana na nyina wiwe ,abavyeyi biwe baratandukanye. Mu masengesho yo mu mwaka wa 2022, yarasenze asaba ko umuryango wiwe wosubira kubana. Yambwiye ati: *"Ndashimira Imana cane ku kuntu yama yitwararika abasavyi bayo. Dawe na mawe baramaze igihe kirekire batandukanye ku buryo batashobora no kuvugana biciye kuri telefone zabo. Mu mpera z'umwaka uheze, baratanguye guhamagarana. Ivyo vyatumye nizigira ko vuba bazosubira kubana.. Imana ihabwe icubahiro, yama yishura amasengesho yacu."*

4: Kwizera Imana

Igisomwa c urufatiro Yohana 9:35-41

Yesu yumvise ko abafarizayo bahindiye hanze uwo mugabo yahora ari impumyi aja kumuraba , aramubaza ati: *"Mbega urizeye umwana w Imana ? Nawe aramwishura ati "Ni inde ga Msswami nkamvizera?" ."* Maze Yesu avuga ati: *"Waramubonye, kandi ni we avugana nawe."*Maze wa mugabo aramwishura ati: *"Mukama, ndamwizeye,"* na we aramusenga. e Yesu yaciye avuga ibijanye n'impumyi zo mu vy'impwemu be n'uko abantu bamwebamwe, cokimwe n'Abafarizayo, badashobora kubona no kwemera ko ari Umwana w'Imana. Uwutizera azocirirwa urubanza kandi atsindwe.

Ibikorwa

i) **Indirimbo -** Nusabe abana bakiri bato ngo bandike indirimbo yoroshe.

ii) **Gushushanya –** Capa igishushanyo kinini ukoresheje ibitambara canke ibipaouro vyerekana ibikorwaYesu yakoze vyerekana ko ari Umwana w'Imana. Nubimanike ku ruhome. Bifuke nimpuzu yirabura. Abana bamurikisha ama telefone canke amasitimu izo sanamu. Bacabavuga nkabafarizayo bati: *"N ibiki? Mbega natwe turi impumyi?"Fukura ca gishushanyo ,abana bakirabe.Yesu yavuze ati: "Jewe ndi umuco w'isi."*

Umurongo wo kwibuka:

Nawe wa mugabo avuga ati Ndizeye Mwami,aramupfukamira.
Ibikorwa

Ibikorwa

i) Ukwizera ni iki?

ii) Ukwizera ni ukuhe ufatiye k'uvyo Yesu ashobora kugira nk'uwo muntu w'impumyi atabona, hanyuma akabona?

iii) Woba wizeye ko Yesu ashobora guhindura ibintu mu miryango yacu, mu mabarabara yacu, no mu mashure yacu? Woba ukeneye ukwizera gukomeye kugira wemere ko Yesu ashobora kwishura amasengesho? Woshobora gusenga usaba ko Yesu yishura amasengesho yawe?

Intahe z'abana bo muri Cambodge: Abana bavuga ko gusengera hamwe ari ikintu gikomeye . Bavuga ko bari bameze nk'umwami canke umwamikazi igihe bariko bararongora umugwi munini w'abana bariko barasenga. Abakuru b 'amashengero baremera ko bikwiye kumenyereza abana aribo kazoza, kugira bitegurire igikorwa cuburongozi.

UMUCO W'ISI

Imisi isozera iyinga yamasengesho [1-2 Ruheshi] 2024

Amasengesho yo gusozera

Yesu, uri umuco w'isi. Wakijije impumyi itari bwigere ibona kuva ivuka. N igitangaza Uwahumuwe yategerezwa gukora igikorwa ciwe maze aja gukaraba kumugezi wa Silowamu. Yategerezwa kukwizera. Ntabara nanje Yesu. Ntabara simbe impumyi mu vyiyumviro vyanje nk'Abafarizayo,nizigiye ko ushobora guhindura ibigoranye mu bice bikenye kuruta ibindi vyose vy'igisagara cacu. Nusuke umuco wawe w'igitangaza mu nzu zacu, mu mumabarabara yacu no mumashure yacu. Ese nokwizigira nka wa mugabo w'impumyi igihe yatura ati: "Mukama nakwizeye" Ndaqukunda Yesus

---

Iyingampuzamakungu ry'amasengesho y abana rihera mu mpera z'indwi ya mbere y'ukwezi kwa gatandatu buri mwaka, rikaba rihuza abantu benshi (ibihumbi n ibihumbi) abakuze n'abana kw'isi yose. Rikaba ritegurwa nishirahamwe Viva. rifise umugambi wo guhindura ubuzima bw'abana benshi kugira ngo bizere Imana mu mpande zosez'isi yose.

Wifuza kumenya vyinshi woraba kuri www.viva.org .

Numero 1053389